www.assemblee.bi
www.flickr.com/inamanshingamateka

Facebook: Inama nshingamateka
twetter:@nshingamateka

N° 7 - 2016

# INAMA NSHINGAMATEKA Y'UBURUNDI

INAMA NSHINGAMATEKA

Gisohoka rimwe mu kwezi

REPUBULIKA Y'UBURUNDI

## UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA YARIFADIKANIJE N'ABENEGIHUGU BO MU NTARA YA RUTANA MU GUHIMBAZA UMUSI WAHARIWE IGITI MU BURUNDI





Inama Nshingamateka yaremeje ibwirizwa rigenga amafaranga Leta y'Uburundi izokoresha mu mwaka w'i 2017.

Soma kurupapuro rwa 13




Umukru W'Inama Nshingamateka yaritavye inama isanzwe igira indwi y'ihuriro ry 'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka vy 'ibihugu biri mu nama Mpuzamakungu ya Karere k'ibiyayaga Binini (FP-CIRGL)

Soma kurupapuro rwa 7



Impinyanyuro y'iyemezwa ry'integuro y'ibwirizwa rigenga ingene amabanki akora

Soma kurupapuro rwa 12

Palais des Congrès de Kigobe
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07

# Abashingamateka b' ikiringo ca 2015 -2020



**Très Hon. Pascal Nyabenda**
**Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Bubanza-Hutu-CNDD-FDD**



**Hon. Agathon Rwasa**
**Icegera ca mbere c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ngozi- Hutu-MizeroY'Abarundi**



**Hon. Jocky Chantal Nkurunziza**
**Icegera ca kabiri c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ruyigi-Tutsi-CNDD-FDD**



Hon. Gloriose AHISHAKIYE
Ngozi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Asha KHALFAN
Kayanza -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon .Fabien BANCIRYANINO
Bubanza - Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Adolphe BANYIKWA
Bujumbura - Hutu- Mizero y'Abarundi



Hon. Chantal BARAMPAMA
Bujumbura - Tutsi CNDD-FDD



Hon. Josélyne BARANYANKA
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jacqueline BARANYIZIGIYE
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Evole P. BASHINGWA
Mairie - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Domitien BAVAKURE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Rémegie BAZIRAHOMPONYOYE
Muramvya - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ildephonse BIGIRINDAVYI
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jérôme BIKORIMANA
Bururi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Simon BIZIMUNGU
Cibitoke - Hutu Mizero y'Abarundi



Hon. Pascal BIZUMUREMYI
Ruyigi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. Renate BUKURU
Ruyigi- Hutu-CNDD-FDD


Hon. Adolphe NTAHONDEREYE
Mairie - Twa


Hon. Aloys NTAKIRUTIMANA
Cibitoke-Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Obed NTAKIYIRUTA
Rumonge - Hutu-Mizero
Y'Abarundi


Hon. Emmanuel NTEZUKOBAGIRA
Bururi - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Ruth NTIBASHAKWA
Cibitoke - Hutu-NDD-FDD


Hon. Gregoire NTIMPIRANGEZA
Gitega - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Gaudence NTIRANDEKURA
Mwaro - Tutsi-Mizero
Y'Abarundi


Hon. Gabriel NTISEZERANA
Bubanza-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Adrien NYANDWI
Kayanza - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Claire NYANDWI
Makamba - Tutsi-Mizero
Y'Abarundi


Hon. Nestor NZEYIMANA
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Séraphine NZEYIMANA
Rumonge - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Révérien NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. J. Baptiste NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Consolate NZIGAMISONI
Cibitoke - Tutsi-Mizero
Y'Abarundi


Hon. Benigne RURAHINDA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD


Hon. James SAMAGORWA
Cibitoke-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Eric SINDAYIGAYA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Sylvestre SINDAYIHEBURA
Gitega - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. J. Pierre SINZINKAYO
Bujumbura-Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Vincent SUKUNOBA
Gitega - Twa


Hon. Anicet TUYAGA
Mwaro - hutu-CNDD-FDD


Hon. Ibrahim UWIZEYE
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Léocadie YAMUREMYE
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD

# Umukuru W'Inama Nshingamateka yarifadikanije n 'abenegihugu bo mu ntara ya Rutana mu guhimbaza umusi wahariwe igiti mu Burundi

Kw'igenekerezo rya 17 Kigarama umwaka wa 2016, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda yarifadikanije n'abenegihugu bo mu ntara ya Rutana mu bikorwa bijanye no guhimbaza umusi wahariwe igiti mu Burundi. Uyo musi mukuru ukaba wari wahimbajwe ku civugo kivuga kiti: « Dukingire amashamba yo soko ry'amazi meza »Kuri uwo musi nyene haratewe ku musozi wa Kayove uri muri komine Rutana ibiti birenga ku bihumbi 5000. Mwijambo yashikirije Buramatari w'intara ya Rutana Bède Nyandwi , yarashimiye Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda ingene yashimye kuza kwifadikanya nabo naho afise amabanga menshi amufatira .Yarashikirije abenegihgu ubutumwa bwarungitswe na Leta bujanye n'uyo musi wahariwe igiti mu Burundi. Ati Leta y'Uburundi yihaye ihangiro ryo gutera amashamba ku buringanire bw'ihegitari ibihumbi amajana umunani mu myaka 15 ni ukuvuga ibice 20 vy'uburinganire bw'igihugu cose. Abenegihugu rero bagasabwa gukingira igiti bisunze akamaro gifise, mubuzima bwa misi yose bw'ikiremwa muntu .Igiti kirafasha mu kugwanya ihindagurika ry'ibihe, kirafasha mu gukinga inkukura ku misozi ihanamye, hatibagiwe no gutanga akayaga keza n'ibindi. Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda , mwijambo ryiwe, yasavye abenegihugu gukingira amashamba cimeza hamwe n'ibitara ati kuko ivyo niryo soko ry'ubuzima ku vyaremwe. Yaranabasavye kwitwararika ibiti bateye nivyari bihasanwze bongere barwanye umuriro wa Nyakanga. Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yaranagarutse ku civugo cuyo musi « *dukingire amashamba yo soko ry'amazi meza*» Yasiguriye abaraho ko amashamba ariyo atuma turonka amazi meza kandi amazi ari ubuzima. Agasaba abenegihugu kwambika ibiti imisozi igaragara no gutera mu matongo yabo ibiti bibana n'indimo.



Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yaravuze no kubijanye n'umutekano aho yakengurukiye abanyarutana ingene bitwararika kuruta ikibazo c'umutekano. Ati ariko rero umutekano muke uterwa n'ibintu vyishi aho yavuze kubijanye no kurwanya inzara. Ati inzara ni kimwe mu bitera umutekano muke mu gihugu ari nayo mpamvu yasavye abenegihugu bo mu rutana kwitwararika ibijanye no kurima, bagwize umwimbu bongere barangure n'imigambi mitomito yo kubateza imbere ku neza y'imiryango yabo. Aho hazoba ari mu ntumbero yo kurwanya inzara na cane cane ko inzara ariyo iteza umutekano muke mu miryango.



Umukuru w' Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda yarahanuye abanyarutana kuvavanura n'ingendo yo kunywa inzoga zitemewe n'amategeko ati kuko nazo ziri mu biteza umutekano muke mu miryango. Yarabandanije ati uretse ko izo nzoga zonona amagara y'abantu ndetse bamwe no gupfa bagapfa ,abazinywa ntibaba bagishoboye kwitaho imiryango yabo ingorane zigaca ziba umurengera mu kibano

Mu gusozera ijambo ryiwe yarahanuye abanyarutana kubijanye no kwirinda guharika, co kimwe no kugabanya imvyaro. Yabamenyeshejeko uko umuntu aharika niko avyara abana benshi bigatuma umuntu adashobora kubatunganiriza neza ngo umwana wese ashobore kuronka ico yipfuza. Ati birababaje kubona uri umuvyeyi abana wabagaburira bakagwanira mw'isahani hakarya uwufise inguvu . Yabahanuye kwirinda ivyo vyose ati kuko nivyo biza ubwambere mubitera indyane z'amatongo na cane cane ko amatongo yamaze kwaga .

**Providence NIKIZA**

# Umukuru W'Inama Nshingamateka yaragirishije Inama n'abajejwe intwaro hamwe n'abajejwe ubuzi butandukanye.

Kw'igenekerezo rya 16 Kigarama 2016, Nyakwubahwa umukuru w'Inama Nshingamateka yaragiriraniye inama n'abajejwe intwaro hamwe n'abajejwe ubuzi butandukanye hamwe n'abatowe mu ntara ya Rutana.Iyo nama ikaba yari ishimikiye ahanini kukuyaga kubijanye n'ingene Inama Nshingamateka ikora, hamwe rero n'ibijanye naho igihugu kigeze haba mubijanye n'umutekano na politike. Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda yameshejeko Inama Nshingamateka ifise ibikorwa bitatu bikuru bikuru harimwo kugenzura ibikorwa vya Leta, gutora amategeko hamwe no guserukira abenegihugu.



Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamareka yarabasiguriye ko hisunzwe Ibwirizwa Nshingiro. Ibiro vy'Inama Nshingamateka bigizwe n'Abashingamateka batatu bava mu migambwe itandukanye no mu bwoko butandukanye bishobotse n'ibitsina bitandukanye.

Inama Nshingamateka irafise kandi imigwi yamaho ifatiye kubisata bitandukanye .Abashingamateka rero bahurikiye muri iyo migwi yamaho aha tukavuga nk'umugwi wamaho ujejwe ivya politique, umugwi wamaho ujejwe gutwara neza, umugwi wamaho ujejwe agateka ka zina muntu, umugwi wamaho ujejwe ivy'ubutunzi, umugwi ujejwe ivyo kwivuna abansi n'umutekano, umugwi wamaho ujejwe ivy'uburimyi n'ubworozi ,umugwi wamaho ujejwe ivy'umubano, hamwe rero n'umugwi wamaho ujejwe ivy'indero. Iruhande y'Abashingamateka hariho n'abakozi bo mu Nama Nshingamateka bafasha Abashingamateka kurangura imirimo yabo. Nayo kubijanye n'ibibazo vya politike n'umutekano mu Burundi, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda yaragarutse kubijanye n'ibiganiro bihuza abarundi biriko birabandanya. Yamenyeshejeko ibiganiro abarundi barimwo ari ivyo gutuma abarundi batorera inyishu ibibazo bibahanze ati ariko sivyo amagaburanyama nkuko bamwe mu barundi bakivyibaza. Yabasiguriye ko ibiganiro vyo kugabana ibibanza muri Leta bikorwa hagati y'imigwi iba iri mu ntambara . Ati Uburundi ntiburi mu ntambara . Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka ,yaboneyeho akaryo ko gusaba abenegihugu bo mu Rutana ko bobungabunga amahoro n'umutekano bagakorera mu nyabune na cane cane muri bino bihe vy'imisi mikuru yo gusozera umwaka .

Muri iyo nama, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda yaravuze kubijanye no gukunda igihugu . Ati gukunda igihugu bisigura vyinshi harimwo no kuriha amakori ku mwenegihugu uwariwe wese. Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka ,yasavye abitavye iyo nama ko bokwigisha abenegihugu bose kugira ngo biteho kandi bijukire gutanga amakori kuko ubu igihugu kibeshejweho n'amakori yegeranywa n'ikigo kijejwe kwegeranya amakori OBR. Yaranabibukijeko ibihugu vyishi vya Bulaya vyamaze gufatira ibihano Uburundi bigahagarika imfashanyo bwaha Uburundi ubu Uburundi ntibukizera inze ari nayo mpamvu leta itegerezwa gukora uko ishoboye kugirango ikwize amafaranga igihugu gitegerezwa gukoresha



Umukuru w'Inama Nshingamateka yasavye abarongoye abandi mu ntwaro bakore uko bashoboye bahamagarire abanyarutana bene wabo bahunze igihugu ko bogaruka mu ruhongore bagafatikanya na benewabo kwubaka igihugu. Kubijanye n'imibereho ya misi yose, yabasavye kubana neza mu butandukane bwabo Mubijanye n'imibereho ya misi yose

Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yabasavye kubana neza mu mahoro mu butandukane bwabo bwaba ubw 'amadini, imigambwe, amashengero, amoko n'ibindi. Yaranabibukije kandi akamaro ko kugabanya imvyaro mu miryango. Afatiye kuri ivyo nyene, Nyakwubahwa umukuru w'Inama Nshingamateka yabasavye kwirinda no kurwanya guharika kuko ari kimwe mu bituma habaho umurindi munini w' igwirirana ry'abantu mu gihugu.

Abitavye inama bararonse akanya ko gushikiriza ibibazo bibahanze mu ntara ya Rutana. Aho twovuga ikibazo kijanye n'umuyagankuba, kubura amazi meza, ingorane z'amatongo, kubura uburyo bwo gusubiramwo ibiraro vyasituwe n'imvura y'igihuhusi, n'ibindi. Kuri ivyo bibazo vyose, Umukuru w'Inama Nshingamateka yabemereyeko agiye kubikurikirana akazovugana n'ababijejwe kugirango babitorere inyishu. Yaremeye kandi kuzogira ico aterereye mu bikorwa vyo gusanura ivyo bitarugwa vyasenyutse hamwe no guheraheza amashure shingiro yubatswe atararangira .

Inyuma yiyo nama, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka arikumwe n'abatowe mu ntara ya Rutana, yarishikiye muri komine Musongati yo muri iyo ntara ya Rutana nyene ahari ikibanza c'iratiro hari amazi ashunguruka ava mumusozi bita kuri chutes d'eau de Mwishanga.

**Providence NIKIZA**

# Umukuru W'Inama Nshingamateka yaritavye inama isanzwe igira indwi y'ihuriro ry 'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka vy 'ibihugu biri mu nama Mpuzamakungu y 'AKarere k'Ibiyaga Binini (FP-CIRGL)

Mu rugendo yagize rw'akazi i Khartoum muri Sudani, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda ,yaritavyeinama isanzwe igira indwi y' ihuriro ry'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zo mu Nama Mpuzamakungu y'Akarere k'Ibiyaga Binini yabaye kw'igenekerezo rya 7 Kigarama 2016. Abakuru b'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka bari bitavye iyo nama ya bose barihweje ahanini ibijanye n'ingingo zafatiwe ibihugu vyo mu karere k'Ibiyaga Binini vyoba bikirimwo indyane za politike gushika ubu,aho tukavuga igihugu ca Repubublika iharanira Demokarasi ya Congo, Sudani y'Ubumanuko, hamwe rero n'Uburundi. Ingingo cumi nimwe rero zikaba arizo zashikirijwe ku Burundi kugirango zemezwe n'inama ya bose. Muri zo hakaba hari harimwo iyubahirizwa ry'amasezerano ya Arusha hamwe n'Ibwirizwa Nshingiro ry'Uburundi, gutegura ibiganiro bihuza abarundi bose atawukumiriwe, hamwe no guhagarika umurindi w'impunzi z'abarundi zariko zihunga igihugu. Kuri izo ngingo zashikirijwe ku Burundi, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragize ico abivugako. Yarasiguye yuko izo ngingo zashikirijwe zitajanye n'ibihe Uburundi bugezemwo. Yaramenyeshejeko atashimishijwe nizo ngingo zashikirijwe ku Burundi mu gihe biboneka neza ko Uburundi bwarenganijwe. Ikindi ngo nuko izo ngingo zashikirijwe zavuye mu cegeranyo catanzwe haheze amezi arenga cumi, gitanzwe n'intumwa za CIRGL zari zagendeye Uburundi kandi ataho zisa zisana n'ibiri ku rubuga mu Burundi, ikindi kandi zikaba zanashikirijwe mu nama ata murundi n'umwe yayitavye yari yabereye mu gihugu c'urwanda. Kubijanye n'ibiganiro bihuza abarundi, Umukuru w'Inama Nshingamateka yamenyeshejeko ibiganiro bihuza abarundi hagati mu gihugu vyamaze kurangira kandi ko umugwi w'igihugu ubijejwe witeguye kuganira n'umuhuza mu matati y'abarundi. Naho biruko, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yarahakanye yivuye inyuma iciyumviro cashikirijwe niryo huriro ry'ibihugu vyo mu karere k'ibiyaga binini, c'uko Leta y'Uburundi yoganira n'abashatse gutembagaza ubutegetsi mu mwaka w'2015 ataho vyakabaye kw'isi nzima . Yamenyesheje ahubwo ko amakungu yobafasha gushengeza abo bashatse guhirika ubutegetsi, bakarengutswa imbere y' ubutungane bagacirwa urubanza .




Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka, yaboneyeho n'akaryo ko gusigurira abaraho ko mu Burundi ata nzu iriko irasha kandi ko ata ntambara ihari kandi ko ata migwi yitwaje ibigwanisho iri mu Burundi. Inyuma y'aho Umukuru w'Inama Nshingateka yaciye aboneraho n'akaryo ko gusabako izo ngingo zohindurwa ariko bibanje kwumvikanwako n'intumwa z'Uburundi ivyo bikaba vyaciye bishigwa mu ngiro. Mu gusozera iyo nama hari ingingo zemejwe n'iyo nama ya bose nivyasabwe. Ingingo rero cumi na zitandatu nizo zemejwe niyo nama ya bose y'ihuriro rya CIRGL. Ibihugu bizotunganya amatora mu mwaka 2017 vyasabwe gufata ingingo zibereye kugirango habe amatora meza



yiyumvamwo na bose, basavye ko hobaho amategeko ngenderwako yo muri afrika kugirango bubahirize ubwigenge bw'ibihugu vya Afrika no gukuraho burundu imigwi igwana; biyamirije n'ingingo z'agahotoro zifatirwa ibihugu bimwebimwe vya Afrika na cane cane Sudani kuko bifise ingaruka mbi kuri Afrika. Imbere yuko iyo nama itangura, yaritavye ibirori vyo kwugurura icese inama isanzwe igira indwi vyari vyatewe iteka n'icegera ca mbere c'Umukuru w'igihugu ca Sudani aho mw' ijambo ryiwe yasavye abatowe gukora uko bashoboye, bagatorera inyishu ibibazo bihanze abenegihugu babatoye aho akavuga nk'ibibazo vy'inzara ,ingwara n'ibindi.Ati ivyo bizotuma ibihugu vya Afrika bishobora gushika kw'iterambere rirama na cane cane ko Afrika ifise ubutunzi kama bwotuma itera imbere.

Kw'igenekerezo rya 5 kigarama 2016, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda yari yitavye inama itegura iryo huriro rigira indwi ry'amanama Nshingamateka aho bihweje ivyavugiwe mu nama nyezina. Muri iyo nama nyene abakuru b'Inama Nshingamateka bararonse akanya ko gushikiriza ivyiyumviro vyotuma ibihugu vyo mukarere k'ibiyaga binini bitera imbere ndetse n'icokorwa kugirango intambara zihagarare mu gihugu.

Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal Nyabenda nawe yaratanze iciyumviro c'uko hobaho ihuriro ry'urwaruka n'ihuriro ry'amashirahamwe adaharanira inyungu za politike bihurikiye muri iryo huriro ry'Inama Nshingamateka yo mu karere k'ibiyaga binini .Ivyo akaba yabishikirije yisunze uruhara rw'urwaruka nayo mashirahamwe mu bijanye no kubungabunga amahoro n'umutekano. Mu mpara ziyo nama yategura inama ya bose igira indwi, igihugu ca Sudani nico catowe kurongora iryo huriro ry'Inama Nshingamateka zo mu karere k'ibiyaga binini, gisubiriye igihugu ca Angola cari kirangije ikiringo c'umwaka .

**Providence NIKIZA**

## Abakinyi b'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka bitavye inkino za EALA bashikirije icese Ibikombe batsindiye Umukuru w'Inama Nshingamateka.

Kuwa Gatanu igenekerezo rya 23 kigarama 2016 , abakinyi b'umupira w'amaguru nuw'amaboko kubakenyezi bo mu Nama Nshingamateka na nkenguzamateka barashikirije icese ibikombe batsindiye mu nkino za EALA Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka arikumwe n'icegera ciwe ca kabiri eka ndetse n'icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka. Mu mupira w'amaguru abakinyi baronse umudali w'umwakaka kuko bakinye igice ca nyuma c'ayo mahiganwa baraheza bakurwamwo n'igihugu c'Ubuganda biciye kuri za penaliti. Mu kamenya ko urukino rwarangiye ari ibitsindo bibiri ku bindi. Kubijanye n'urukino rwa Netball abakenyezi baronse ikibanza ca gatatu mukamenya ko ari ubwa mbere umurwi w'Uburundi witaba ayo mahiganwa. Kubw'agiye arongoye intumwa Umushingamateka Denis Karera, yarashimiye Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka ku kigoro bagize kugira ngo babe barashoboye kwitaba ayo mahiganwa, Igikorwa gituma iguhugu gishinga icumu mu makungu hamwe n'ibindi bihugu vy'akarere ndetse aranashimira abaterereye kugira ngo ico gikorwa gikunde. Mw'ijambo ryiwe Nyakubahwa Pascal NYABENDA Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakeje abakinyi kukuntu bigenjeje mu guserukira igihugu neza kandi bagatahana igikombe. Ati biha iteka igihugu n'abarundi bose aranakeza abitavye akamo ko guterera kugira ngo ico gikorwa kiranguke neza. Ku ruhande rw'abatereye, barashimiye Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka ku kuntu yabatumiye kuri uwo musi w'akanyamuneza kasangiwe gusa n'abagize Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka ahubwo gasangiwe n'abarundi bose. Bati izo nkino zarateye iteka igihugu mukwerekana ishusho nziza y'igihugu mugihe hari abandi bagityoza ubudaca. Nyakubahwa Pascal Nyabenda akaba yarabahaye utuganuke nabo basaba ko mu gihe yobatera akamo hakiri kare boraba ukuntu bo kwongereza uburyo bwo gufasha muri izo nkino. Mwomenya ko abo bakinyi bagizwe n'Abashingamateka n'Abakenguzamateka bari baherutse gutahuka bavuye Mombasa muri Kenya muri izo nkino bakaba bari bakiriwe na Nyakubahwa Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa NKURUNZIZA Jocky Chantal.




Ku munsi w'Imana igenekerezo rya 12 kigarama 2016 niho abo Bashingamateka n'Abakenguzamateka bashika ku kibuga c'indege mpuzamakungu ca Bujumbura aho bari

baserukiye Uburundi muri izo nkino. Umunezero niwo wabaranga Icegera ca kabiri c'umukuru w'Inama Nshingamateka NKURUNZIZA Jocky Chantal ari nawe yabakiriye yarashimye inyifato abo bakenguzamateka n'abashingamateka bagize muri izo nkino kuva itangura gushika ihere. Muri izo nkino rero imigwi y'abashingamateka n'abakenguzamateka b'igihugu cacu baronse igikombe c'abigenjeje neza. Ati ni iteka ku gihugu cacu kandi ivyo bituma igihugu cacu kigira ishusho nziza mu makungu. Icegera ca kabiri c'umukuru w'Inama Nshingamateka yaramenyesheje ko inkino zifise uruhara nta ngere mu gutsimbataza amahoro zigatuma haba n'imigenderanire myiza hagati y'abagize akarere ka Afrika y'ubuseruko.

**Gabby BUGAGA**

## Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka araganutse avuye mu rugendo rw'akazi.





Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Agathon RWASA yari yafashe urugendo rwamushikanye i Nairobi mu nama y'ibihugu vy'Afrika, Caraibe na Pacifike n'ishirahamwe ry'ibihugu vya Bulaya igira iya 32. Muvyo bize harimwo ugusubiza abimukira hame n'impunzi mu bihugu baje bavamwo, intambamyi n'akarusho bizanira ibihugu baroyemwo; ibijanye n'igwirirana ry'abantu, ico ubutunzi budaciye mu nzira nziza bugira mu gafasha mu migamabi y'iterambere, ico igisata c'ubutunzi gifasha mu migambi y'iterambere rirama, intambamyi igisata c'uburimyi kigira n'indirimbo z'uturima two mugikoni mu bihugu vya Afrika Caraibes na Pasifike. Kuri ivyo Nyakubahwa Agathon RWASA yaramenyesheje ko yabaye ngira kamaro ati igisigaye nuko nka Isabu yoshobora kutwigira ingene twoteza imbere igisata c'uburimyi butuma turonka ivyo dufungura n'ivyo dushobora gushora.

**Gabby BUGAGA**

## Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yahimbarije umunsi wahariwe igiti mu ntara yatowemwo ya Ruyigi.

Kuburinganire bungana ihegitari n'inusu niho abenegihugu b'i Kabuyenge muri komine Gisuru mu ntara ya Ruyigi batera imivyaro y'ibiti ingana 1500,ku munsi wa gatandatu igenekerezo rya 17kigarama 2016 mu ntumbero yo guhimbaza umunsi wahariwe igiti mu Burundi, wahimbajwe ku civugo « tubungabunge amashamba yo soko y'amazi meza ». Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka ari kumwe n'abashingamateka batowe muri iyo ntara akaba yarateye iteka ivyo birori. Mw'ijambo yashikirije, musitanteri w'iyo komine yahamagariye abenegihugu kwitaho gutera ibiti bibana n'indimo. NGENZIRABONA Yozefu akaba kandi yarabwiye abari aho kwirinda amarigara . Buramatari nawe mu gushikiriza ijambo ryarungitswe na leta y'Uburundi, yasavye abari aho ko boshiramwo inguvu mu gutera ibiti ku buryo muri 2025 hoba hamaze guterwa ibiti n'imiburiburi kuburinganire bungana ibihumbi amajana umunani(800.000)mu ntumbero yo kubungabunga amagara yacu.Niyo ntumbero leta yihaye.



Umushingantahe Abdallah Hassan, yaciye aronkeraho akaryoko guhimiriza abo benegihugu kuvyara abo bashoboye kurera ngo kuko igwirirana ry'abantu ari kimwe mu bihungabanya ibidukukije.

Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka nawe,

yabanje kudondagura ivyiza vy'igiti. Yabahamagariye guhagurukira rimwe bagatera ibiti bitandukanye kugira tuzobashe guhangana n'ibihe, narirya vyahindutse.Uwo mutumire w'iteka kandi yabasavye kudasesagura utwo bafise ngo ni iminsi mikuru, bibuke ko inda igusaba ico wayirarije.Muguheraheza ijambo ryiwe yahamagariye abari aho bose ko boza barahamagara ba genzi babo bahunze ibihuha mu mwaka wa 2015 kugira bagaruke mu gihugu, umuganda mu kwubaka igihugu c'amavuko. Akaba kandi yabahamagariye kubandanya bakorera muri ya nyabune bicungira umutekano ati mwigire ku benegihugu bo mu gihugu kibanyi ca Tanzaniya aho umwe wese afise uruhara rwo kwicungira umutekano wiwe. Inyuma y'ibikorwa rusangi , umushingamateka NKURUNZIZA Jocky Chantal yaciye aja kwibarutsa umuryango wa NTAWUVUKANITUNGA Marc yari yaribarutse ubushuri ariko kamwe kari karamaze gushoma ku mvo yuko umuvyeyi yabuze amaberebere akwiye. Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka ahejeje gukeza uwo muryango yaciye abibutsa ko bokwitwararika kuvyara abo bashoboye kurera. Akaba kandi yarasavye ababanyi b'uwo muryango ko boza barabafasha ngo kuko umwana ari uw'igihugu.Se rugo yarashimiye abo bashitsi b'iteka ariko akaba yarabasavye ko bomuterera amabati kugira asakare inzu abamwo ngo kuko amaze igihe ayibamwo isakaje ivyatsi. Ku muhingamo w'uwo munsi icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yaciye aja kuraba umupira w'amaguru wahuza abakinyi ba Magara Star wo mu Rumonge na Flambeau de l'Est waho mu Ruyigi nyene. Urukino rukaba rwaraheze ku ntsinzi ya Flambeau de l'Est yanjije kimwe ku busa. Bakaba bariko bahiganirwa igikombe c'ubumwe. Inkino nkizo zikaba zariko kandi zibera mu ntara ya Ngozi na Gitega. Nyumayaho, icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yaciye aja kuramutsa musenyeri wa diyosezi ya Ruyigi. Mw'ijambo yashikirije yavuze ko urukundo kwubahana no kubabarirana vyoshigwa imbere cane cane muri kino gihe abagizi ba nabi baguma barota guta igihugumu manga. Yasavye kandi abari ngaho ko bokwama bagavye kandi ko bokwirinda imitego itandukanye ntibazosange bacuditse n'abagizi ba nabi.



Nk'umwe mu bakristu bo muri iyo paruwasi, umushingamateka NKURUNZIZA Jocky Chantal yarasavye uwo mwungere w'intama ko yomusabira umuhezagiro ku mana kugira azoshobore kurangura uko bikwiye ayo mabanga mashasha . Musenyeri NZEYIMANA Blaise akaba yaremeye kuzomuterera igisabisho. Musenyeri nawe mw'ijambo yashikirije, yarashimiye indongozi z'igihugu c'Uburundi ku bikorwa vyiza vyaranguwe cane cane mu gisata c'inyigisho, akaba yarabateye intege ko bobandanya uko nyene. Muri izo ngendo icegera ca kabiri c'umukuru w'Inama Nshingamateka yarimwo mu ntara ya Ruyigi, yarasangiye igisabisho co ku munsi w'Imana n'abakristu bo kuri iyo paruwasi.

**Pétronie BUCUMI**

# Inama Nshingamateka yihweje yongera iremeza integuro y'ibwirizwa rigenga igenga urwego rwo kwivuna abansi mu Burundi

Mu bikogwa vyo kuwakane igenekerezo rya 15 Kigarama 2016, Inama Nshingamateka yarihweje yongera iremeza integuro y'ibwirizwa rigenga urwego rwo kwivuna abansi mu Burundi, Abashingamateka 88 bakaba aribo baryemeje, 0 bararihakana nayo 18 ntaco barivuzeko.



Umushikiranganji wo kwivuna abansi n'abahoze ku rugamba mu nsiguro yahaye Abashingamateka ku catumye bashiraho iyo nteguro y'ibwirizwa yababwiyeko ari mu ntumbero yo gukurikiza amategeko y'igihugu ariko kandi ngo n'ugushaka kwa Leta.
Umushikiranganji NTAHOMVUKIYE Emmanuel yavuze kandi ko Urwego rwo kwivuna abansi FDNB mu mpfunyapfunyo rwagengwa n'itegeko nkuko Ibwirizwa Nshingiro ribivuga mu ngingo ya 248 iryo tegeko naryo rikaba ryarataye igihe. Ariko ngo igitandukanye nuko itegeko n°1/ 022 ryo kuwa 31 Kigarama 2004 ryagenga urwego rwo kwivuna abansi ari naryo ryasubiwemwo, ryashizweho hisunzwe Ibwirizwa Shingiro ry'intwaro mfatakibanza ryo kuwa 20 Gitugutu 2004, iryo naryo rikaba ryari ryasubiwemwo kuko igihugu cisunga ibwirizwa Shingiro ryo kuwa 18 Ntwarante Umwaka 2005.
Umugwi wamaho mu Nama Nshingamateka ujejwe ivy'Umutekano n'Ukwivuna abansi watangajwe n'ingene

Ubushikiranganji bwo kwivuna abansi n'abahoze ku rugamba bwari bumaze imyaka 12 butarahindura itegeko nkiryo rihambaye. Ariko rero Umushikiranganji Emmanuel NTAHOMVUKIYE yababwiyeko vyavuye ku bashikiranganji bamutanguriye batashizemwo ishaka kugira iryo tegeko rihindurwe. Ikindi kibazo Umugwi wamaho mu Nama Nshingamateka ujejwe ivy'Umutekano n'Ukwivuna abansi wabajije n'ibitigiri vy'abafise amapete y'Intwazangabo za Jenerali igihugu gifise baravye igitigiri c'abasirikare kihari.



Gushika ubu rero, ngo hari intwazangabo 27 zifise ipete rya Jenerali. Uburundi rero ngo uravye bufise umu Jenerali 1 ku basoda 1037 ngo bikaba ari ibisanzwe ugeraninije no mu Bwongereza n'Ubufaransa bafise 1 ku basoda 361 hamwe 1ku basoda 754 hari mu mwaka wa 2012. Abashingamateka baciye babaza kandi igituma amapete aduzwa cane mu nzego z'Umutekano gusumba muzo kwivuna abansi? Imbere yo kwishura, intumwa ya Leta yabanje kuvunira akagohe Abashingamateka: ngo benshi basa n'abafatira hamwe izo nzego zibiri kandi itunganywa ziryo nzego ritandukanye. Naho urwego rw'igipolisi ari rushasha ntabwo bidoga mugihe urwego rw'ukwivuna abansi narwo nyene amapete agenda atangwa ata ngorane. Gutanga amapete ngo bijana n'uburyo ngo ntawoshobora gutanga ipete rya Jenerali udafise akazi n'uburyo bijana uca umuha. Ariko, Umushikiranganji wo kwivuna abansi n'abahoze ku rugamba ngo arafise icizere ko umuti uzoboneka kuko ingorane zamaze kumenyekana.

Abashingamateka barashimikiye cane ku basirikare bazohamagagwa bikenewe gufasha igisirikare abo bita aba « réservistes » mu gifaransa. Ingingo y'114 y'integuro y'ibwirizwa ivuga, « Urwego rwo kwivuna abansi rurashobora kwikora kuborufasha kwivuna umwansi. Abashobora guhamagarwa, n'abenegihugu bigishijwe ivy'igisirikare n'urwego rwa Leta rubijejwe hamwe n'abahoze ari abasirikare bamaze imyaka 2 barakukurutse ». Umugwi wamaho mu Nama Nshingamateka ujejwe ivy'Umutekano n'Ukwivuna abansi ukibaza igituma abahoze ku rugamba bakomoka ku migambwe imwe imwe n'abavuye mu gisirikare ca Leta ataco babavugako.

Uwaserukiye Leta yabamenyesheje ko abo basirikare bazikorwako mu gihe vyokenerwa bazoba ari abafise ubumenyi mu vy'igisirikare. Aca ababwira kandi ko naho batavuze abahoze ku rugamba n'abasubijwe mu buzima busanzwe bava mu gisirikare ca Leta barashobora kuja murabo bazocagurwa mugabo inyuma yo guhabwa inyigisho. Ati abahoze ku rugamba barashobora kuja muruwo mugwi w'abo igisirikare cokenera ariko ngo bazobanza bahabwe inyigisho n'abasirikare ba Leta babizobereye. Ariko rero iyo nyishu isa n'iyitashimishije Abashingamateka kuko hashobora kujamwo muri abo bazohamagarwa abakukurutse b'igisirikare, abasubijwe mu buzima busanzwe, ya misore ihagarariye amahoro, abanyeshure bigishijwe ivy'igisirikare SMO, ivyo rero ngo bishobora gutuma abenegihugu nka bose basanga bahindutse abasirikare, ivyo navyo ngo si vyiza. Ngo na Leta nta buryo yoronka bwo guhemba abo bantu bose.Abashingamateka bakabonako vyiza ngo nuko yohamagara abitangira bushake. Umushikiranganji Emmanuel NTAHOMVUKIYE arabahumuriza. Inyishu ya vyose iri mu ngingo ya 248. Iyo nteguro y'ibwirizwa yisunga Ibwirizwa Shingiro ngo ntibadondoye vyose uko bizogenda ku kwanka iyo nteguro y'ibwirizwa iremerwa n'amajambo menshi. Ngo naho rero ataco banditse kubahora kurugamba abo bashobora gutegurirwa ayandi mategeko abagenga kuko ngo hariho n'umugambi wo kubakura mu bushikiranganji bwo kwivuna abansi batwagwe ahandi.

Nta wahoze ku rugumba, uwakukurutse canke umu SMO yoca ajaho avuge ngo jewe ndimwo kuko bose ngo bazocagurwa hisunzwe akarangamutima k'igisirikare.

**Florine MUKESHIMANA**

## Integuro y'ibwirizwa risubiramwo itegeko ry'Umukuru w'Igihugu n°100/130 ryo kuwa 27 ndamukiza 2015, ryerekeye imigederanire hagati y'Uburundi n'amashirahamwe mpuzamakungu akorera mu Burundi (ONGE)

Ibikorwa vy'ayo mashirahamwe bitegerezwa kwisunga amabwirizwa n'amategeko vy'Uburundi kandi akagira ico aterereye mu vyo leta y'Uburundi iba yihutira gukora uruhande rumwe, no « *mu gutanga ubuzi bategerezwa kwama bisunga kunganisha amoko, nk'uko biteguwe mw'ibwirizwa shingiro ry'Uburundi.* » mu rundi ruhande.

Nk'uko yabishikirije,Umushikiranganji w'Intwaro yo hagati mu gihugu n'Inyigisho zo gukundisha igihugu aho yariko aratanga insiguro mu nama Nshingamateka utwo duce uko ari tubiri ni tumwe two mu tundi icenda turi mw'itegeko rihindura iry'umukuru w'Igihugu n°100/130 ryo kuwa 27 ndamukiza 2015 riraba muri rusangi imigenderanire hagati

y'Uburundi n'amashirahamwe mpuzamakungu adahanira inyungu za politike, integuro y'ibwirizwa ryemejwe mu nama ya bose yo kuwa 23 kigarama 2016 ; rikaba ryaratowe n'abashingamateka 105 hame rero n'umwe yarihakanye .
Umushikiranganji BARANDAGIYE Pascal yaragize ico avuga ku gace ka 16 gakingira ifaranga ry'igihugu: « ayo mashirahamwe ategerezwa kwubahiriza amategeko agenga ama banki n'ingene ifaranga rivunjwa. Ayo mashirahamwe ategerezwa kwuguruza mw'ibanki nkuru y'igihugu (BRB) inumero yo kubikako amafaranga y'agaciro. Imbere yo gushira umukono ku masezerano yo gukorana, ayo



mashirahamwe ategerezwa kubanza gushira ku ma konte yabo kimwe ca gatatu c'umutungo wabo. Amafaranga bazokoresha ntashobora kurenga 35% y'ayo bazokoresha mu mwaka wose .Abakozi b'abanyamahanga bahaye akazi bategerezwa guhembwa mu mafaranga y'amarundi. » Mu gihe abashingamateka bo mu mugwi wamaho ujejwe ivyo gutwara neza n'ugushira mu minwe y'abikorera utwabo amashirahamwe ya leta wize integuro y'iryo bwirizwa, basaba ko iruhande y'ubwoko bokwongerako n'igitsina, abashingamateka bakaba baremeye ahubwo ko boshira imbere kuraba abashoboye akazi n'ukwitwararika gutanga akazi bisunze intara. Vyaribonekeje kandi ko hagati mu gihugu ayo mashirahamwe aha akazi abasanzwe baba mu gisagara ca Bujumbura. Uwari



yaserukiye Leta yaravuze ko Ibwirizwa Shingiro ritategekanije ivyo kunganisha intara ariko nawe yasanze bifise ishingiro. Ati iciza nuko ako gace kazoshikirizwa mu masezerano kandi bigashimangigwa n'abajejwe ubuhinga n'indongozi. Abashingamateka bamwe baratewe amakenga n'ico co gushira amoko imbere mu mashirahamwe yose akorera mu burundi nk'uko vyoza ari umuti ku ngorane ziri mu Burundi, naho bisanzwe bitegekanijwe mw'Ibwirizwa Shingiro no masezerano y'i Arusha. Uwaje aserukiye Leta akaba yaratangajwe no kwumva abashingamateka baserukira abenegihugu kandi batowe hisunzwe ubwoko, bafise imvugo nk'iyo. Ati amategeko ashingwa kubera ingorane zabonetse. Mu gushiramwo ako gace , leta yari yabonye ko harimwo agahaze. Ukunganisha ubwoko navyo vyaje ari ukuraba ko ako karanda ko gukumirana kohava mu barundi. Ba nyakwubahwa abashingamateka babajije iyo ntumwa ya leta bati: Ni akahe karusho k'iyo nteguro y'ibwirizwa ni ikihe cemeza ko ayo mashirahamwe atazishira mu kibanza ca Leta na rirya ayisumvya uburyo ?
Mu kubishura, Umushikiranganji BARANDAGIYE Pascal yabahumurije ko bene ayo mashirahamwe akurikiranwa n'ubushikiranganji butatu, aribwo : Ubushikiranganji bujejwe ico gisata ari nabwo butanga uburenganzira, Ubushikiranganji bw'imigenderanire n'ayandi makungu n'Ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu n'inyigisho zo gukundisha igihugu ari nayo izokurikirana ibikorwa vyayo iciye kuri ba Bulamatari.
Intumwa ya Leta akavuga ko integuro y'ibwirizwa ubwayo ari nziza ariko ishigwa mu ngiro ryayo ni ryo atizeye neza. Vyaribonekeje ko hariho amashirahamwe aryosharyosha abajejwe intwaro ku rwego rwo hasi gutyo bakikorera ivyo bipfuza. Ati ni barya bama baha iritiro 2 z'igitoro abasitanteri , n'ibihumbi ijana jana vy'amarundi mu gihe bagiye gutanguza umugambi kanaka. Naho ari Umushikiranganji Pascal BARANDAGIYE yaje gusigura iyo nteguro y'ibwirizwa, umushikiranganji w'imigenderanire n'ayandi makungu, Alain Aimé NYAMITWE niwe yari yaje ubwa mbere aza gusigurira abari mu mugwi wamaho ivy'iyo y'Ibwirizwa.

**Pétronie BUCUMI**

# Inama Nshingamateka yaremeje integuro y'ibwirizwa rigenga ingene amabanki akora

Ku munsi wa gatatu, igenekerezo rya 14 Kigarama 2016, Inama Nshingamateka yarahinyanyuye yongera iremeza Integuro y'ibwirizwa rigenga amabanki. Ngo kuva aho ibwirizwa n°1/017 ryo kuwa 23 Gitugutu 2003 rigiye mu ngiro, hari vyinshi vyahindutse haba mu karere canke mu makungu, nk' uko vyashikirijwe, mu mvo n'imvano, n'Umushikiranganji w'Ubutunzi, Ikigega ca Leta nogushira amashirahamwe ya Leta mu minwe y'abikorera utwabo. Domitien NDIHOKUBWAYO yabishikirije yisunze ingingo nkuru nkuru zibiri : Ubutunzi bw'igihugu bwarinjiye bukebuke mu ntumbero y'akarere k'Umuryango w'ibihugu vya Afirika y'Ubuseruko; Ivyahindaguritse ku rwego mpuzamakungu mu mibereho y'amabanki bihagarikiwe n'amasezerano yatereweko igikumu i Bâle. Kubw'ivyo, nkuko iyo ntumwa ya Leta yabandanije ibimenyesha, Ikigega Mpuzamakungu FMI n'Ibanki y'isi yose barahagarikiye bompi mu 2009 umugambi PESF wo kugenzura igisata c'ubutunzi mu Burundi washimikiye ku ngingo 25 nkuru nkuru mu masezerano y'i Bâle (mu kiringo co mu 2005) baca barashinga umugwi w'ivyo basaba. Igisata c'amaposita kigiye gufatwa nk'ibanki, n'inyifato y'amabanki yo

kudasaba inyungu irenga umutahe, ivyo bita la règle du double mu rurimi rw'igifaransa, ivyo ni bimwe mu bishasha bitegekanijwe muri iyo nteguro y'ibwirizwa, nkuko yabandanije abisigura. Umurwi wamaho ujejwe ubutunzi, ari nawo wize iyo nteguro y'ibwirizwa warabajije ibikorwa ibanki ikorera ku buntu abanywanyi bayo, nkuko akarongo ka 2 kungingo ya 90 kabitegekanya. Umushikiranganji yishuye ko muri kino kiringo bigoye gutondeka utwigoro ibanki ikorera ku buntu abanywanyi bayo kuko ata rutonde rushoboka mu gihe ico gisata kiri mu bishasha vyazanywe n'iyi nteguro y'ibwirizwa. Urwo rutonde ruzosohorwa n'ibanki nkuru y'igihugu inyuma y'imishikirano n'ayandi mabanki yo mu gihugu, nkuko yabandanije abisigura. Ati mu bisanzwe, uturusho ibanki ikorera ku buntu abanywani bayo tujanye no kwuguruza ikonte, gutanga ikarata zo ku mashini itanga amafaranga, kubwirwa ingene ubutunzi bwifashe,kubika no kubikura amafaranga. Haba na mba ! Uko niko Abashingamateka bamuhakaniye. Amabanki ahubwo ararenza urugero mu kurihisha ibikorwa vyabo. Bati nimwiyumvire namwe kuriha amafaranga agera ku 25.000 kugira uronke urupapuro rwerekana ko ataco uheranye, ico bita attestation de non redevabilité. Bati ayo mabanki atuma ariho abenegihgu babandanya kubika amafaranga mu mahembe y'inka. Baboneyeho mbere gusaba ko iyo Nteguro y'ibwirizwa iriko irigwa yoca ija mu ngiro umunsi yahindutse ibwirizwa , hakurindira umwaka wose, nkuko bitegekanijwe.



Kubw'umushikiranganji ajejwe ubutunzi, ibanki yose irafise uko yitunganya. Nayo kuvyerekeye umuco wo kubika amafaranga mu mahembe y'inka, ngo biterwa na vyinshi. Ubwa mbere, abenegihugu ntibaranyurwa n'ingendo yo kuziganya mu mabanki. Ikindi naco, ubuhinga bwo kuriha ibidandazwa hakoreshejwe ikarata ya banki busa n'ubutabaho mu gihugu. Kubijanye n'imvo zituma iryo tegeko rizoja mu ngiro inyuma y'umwaka Umukuru w'igihugu amaze kuriterako umukono, Umushikiranganji Domitien NDIHOKUBWAYO abona ko ikiringo c'umwaka umwe ari gito ufatiye ku buremere bw'ibwirizwa rikora ku mikoro y'abenegihugu. Vyongeye, ngo birakenewe kwitondera iyi nteguro y'ibwirizwa ifise ingingo nyinshi, izi nazo zigahamagara ibindi bisata. Yaribukije kandi ko imashini nyabwonko nazo nyene zisaba umwanya wo gushira ibintu ku murongo.



Kubavugiye abadandaza basigara bifumbereje inyuma y'aho amatungo yabo aba yahiriye mu masoko, ubona yuko bisigaye vyabaye umugenzo, intumwa ya Leta yashikirije ko umuti wo kwikingira ari kuba umunywanyi w'ishirahamwe rya asiranse. Iciza mbere, kwoba ari uko ako karongo ko kuba umunywanyi wa asiranse koja mu vyo ibanki isaba imbere y'ugutanga ingurane.

Iyo nama ya bose yakoranye isaha zine n'igice zo mu gitondo ihera isaha icenda n'igice zo ku muhingamo, ivyo bigasigura ko iyo nteguro y'ibwirizwa itari yoroshe.

**Christine NAHIMANA**

# Inama Nshingamateka yaremeje ibwirizwa rigenga amafaranga Leta y'Uburundi izokoresha mu mwaka w'i 2017.

Amafaranga Leta y'Uburundi igiye gukoresha mu mwaka w'i 2017 angana n'imiriyaridi 1152,7 mu gihe muri uyu mwaka urangiye w'i 2016, Leta yakoresheje amafaranga angana n'imiriyaridi 1119,6, ni ukuvuga ko aduze ku rugero rugera ku 2,9 kw'ijana. Nayo amafaranga Leta y'Uburundi ikeneye mu 2017 kugira imigambi yateguye iranguke ni imiriyaridi 1326,9 mu gihe mu mwaka w'i 2016 ayo mafaranga yahora ari imiriyaridi 1266,6 n'ukuvuga ko aduze gushika ku rugero rwa 5,2 kw'ijana.

Ivyo biharuro bikaba vyashikirijwe n'Umushikiranganji w'ikigega ca Leta igihe yariko asigurira Abashingamateka bari bakoraniye mu nama ya bose ku musi wa kane igenekerezo rya 22 Kigarama 2016 kugira bihweze bongere bemeze integuro y'ibwirizwa rigenga amafaranga Leta y'Uburundi izokoresha mu mwaka wa 2017. Iyo nteguro y'ibwirizwa ikaba yahavuye itorwa n'Inama Nshingamateka ku majwi 110 hamwe n'umwe yayihakanye. Yishimikije ibiharuro bitegekanywa n'abahinga mu vy'ubutunzi, Umushikiranganji Domitien NDIHOKUBWAYO yamenyesheje ko amafaranga Leta igiye gukoresha mu mwaka w'i 2017 azova cane cane mu buryo bwinjira buva hagati mu gihugu, ku rugero rwa 70,7 kw'ijana, hama ibindi bice bisigaye ni ukuvuga 29,3 kw'ijana bizova hanze y'igihugu. Akaba yaciye amenyesha abashingamateka ingingo nshasha zigiye gufatwa kugira ngo ayo mafaranga

yose azova mu gihugu ashobore kuboneka.
Aha twovuga nk'itagisi izotozwa abakoresha amatelefone ngendanwa mu gihugu rizova ku mafaranga 42 rije ku mafaranga 52. Iyo ngingo ikazotuma Leta yinjiza amafaranga angana n'imiriyaridi 16. Iyindi ngingo igiye gufatwa nuko hagiye kurihishwa itagisi ku wuguze igitoro kw'ipompo.Iryo tagisi rikaba ringana n'amafaranga 100 kw'iritiro. Iyo ngingo ikaba izotuma Leta yinjiza amafaranga angana n'imiriyaridi 13.511.776.000 FBU. Kw'isukari naho hazotozwa itagisi ringana n'amafaranga 200 ku kiro ivyo bikazotuma Leta yinjiza amafaranga angana n'imiriyaridi 4.480.266.667 FBU. Iyindi ngingo n'uko hazosubirwamwo ingene imiduga ya Leta ikoreshwa, ivyo navyo bikazotuma Leta yinjiza amafaranga angana n'imiriyaridi 2,4.



Umushikiranganji w'ikigega ca Leta akaba yamenyesheje ko kuva mu kwezi kwa mbere gushika kw'igenekerezo rya 30 Nyakanga 2016, amafaranga yinjiye mu kigega ca Leta angana n'imiriyaridi 472,6 ku miriyaridi 696,7 zari zitezwe kuboneka ku mwaka wose, ni ukuvuga ko hari hamaze kuboneka no gukoresha ibice 67,8 kw'ijana.
Ku vyerekeye imishahara, izova ku mafaranga imiriyaridi 364,7 mu mwaka w'i 2016 ije ku mafaranga angana n'imiriyaridi 388,5 mu 2017, ikaba izoduga ku rugero rwa 6,5 kw'ijana. Naho Abashingamateka basanzwe bazi ko Leta itegura amafaranga izokoresha yisunze umugambi wo gutubika uwa vubi, barabajije Umushikiranganji bati mbega Leta izoguma isaba ideni mw'ibanki nkuru BRB gushika ryari ? Abandi bati mbe hamwe vyoshika amadeni ya Leta agasumba amafaranga yinjiza, igihugu covyifatamwo gute ?
Umushikiranganji akaba yishuye ko ico kibazo ari nkoramutima, ati inyishu yaco yova ku murundi wese, ati twese dutegerezwa gukora uko dushoboye kugira ngo imigambi ya Leta ije mu ngiro. Ati naho Leta y'Uburundi imaze gutera intambwe ikomeye, biraboneka ko hari vyinshi bisigaye gukorwa. Ati mugabo naho biri uko, ntivyoshika aho amadeni asumba amafaranga Leta yinjiza kuko hari ibisata bijejwe gusuzuma ku musi ku musi ukungene Leta ikoresha amafaranga. Abandi bashingamateka bakaba batangazwa kandi n'ingene Leta ivuga ko ari ugutubika uwa vubi, ariko ukabona abategetsi bakuru bakuru ba Leta bagira mu bibanza bizimvye mu ndege iyo bagiye mu buzi hanze y'igihugu canke bakarara mu mahoteri azimvye. Imbere yo gutanga inyishu, Umushikiranganji Domitien NDIHOKUBWAYO yabanje kubaza ibibazo bimwe bimwe. Ati mbe kubera iki abafasha Uburundi bagira mu bibanza bizimvye mugihe bizwi ko hageze kurekura n'urufaranga rumwe barinda guharura? Ati mbega ni kubera iki abategetsi bagira mu modoka nziza nziza ?Ati mbega ni kubera iki bambara amakaruvati naho haba hari ikizuba cinshi iyo bagiye mu bikorwa bimwe bimwe ?



Ati rero iyo mubonye abategetsi bakuru ba Leta bariko bagira mu bibanza bizimvye mu ndege, ati ni kugira bagende baruhutse bashike iyo bagiye bameze neza, bafise inguvu zikwiye zo gusigura neza no kwumvisha uwo mugambi bagiye gushikiriza. Ati hari igihe ugenda nabi ugashika warushe bikakunanira kuvugira neza igihugu cawe imbere y'abafasha Uburundi ugataha ataco utahanye. Ati kira noneho si imisi yose Uburundi bwama buriha bene ivyo bibanza, abenshi ni ivyo bihugu baba bagiyemwo bibariha vyose(prise en charge.)

**Arlette AKIMANA**


# INAMA NSHINGAMATEKA

**UMUKURU W' IYANDIKIRO**
**Providence NIKIZA**

**ABANDITSI**
**Florine MUKESHIMANA**
**Arlette AKIMANA**
**Pétronie BUCUMI**
**Gabby BUGAGA**
**Christine NAHIMANA**

**AMASANAMU**
**Richard NDAYISENGA**

**Palais des Congrès de Kigobe**
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07